# Bibiliya y'Abana
## Ishikirije



# Elisa, Umuntu Yakora Ibitangaza


Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org




©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Nta mpfizi zikwiye zariho kugira ngo zishobore gukwega umukogote. Hari hakenewe iyindi imwe. Ivyo ntivyabujije umurimyi akiri muto yitwa Elisa gukora. Yakoresha izo mpfizi nyene yari afise. Ategerezwa kuba yari umuntu akomeye kandi akunda ibikorwa.





Igihe Elisa yariko ararima, Eliya umuvugishwa n'Imana yaje aho ari aca aramuhamagara. Elisa aca areka imirima yiwe kugira ahinduke umukozi w'Imana. Umusi umwe, Imana idugana Eliya mw'ijuru imutwaye Mugihuhusi c'umuyaga.

Kuva ico gihe Elisa aca aba umuvugishwa n'Imana muri Isirayeli.

3



N'aho Elisa yari ababajwe n'uko Eliya yagiye, aca asaba Imana ngo imuhe ubushobozi nk'ubwo Eliya yari afise. Elisa yakira umutamana wa Eliya, maze akubita amazi y'uruzi yorodani nk'uko eliya yari yarabikoze. Amazi aca aritandukanya! Elisa aca amenya ko muri ico gihe Imana irikumwe nawe.


4



Igihe elisa yariko aja mugisagara citwa beteli, abahungu bakiri bato baramutwenze, bavuga bati: "Busa bw'uruhara!" Kuri bo ntaco vyari bibabwiye kuba ari umukozi w'Imana. Ikintu giteye ubwoba caciye kibashikira. Haje idubu zibiri zivuye mw'ishamba zitabagura abana mirongo ine na babiri muri bamwe batwenga elisa.


5

Umusi umwe, elisa ahura n'umupfakazi atashobora kwishura uwo yari afitiye umwenda. Uwo mupfakazi yariko aterwa ubwoba ko bamunyaga abahungu biwe babiri atarishe iryo deni. Elisa aca amubwira ati: "Genda utire ibivomesho atanakimwe kirimwo mubabanyi bawe". Imana yagira ikorere uwo mupfakazi ikintu ciza cane.



6

Uwo mupfakazi yari afise utuvuta dukeyi i muhira. Ariko utwo tuvuta ariko aradusuka adukura muco twarimwo ashira muri bimwe yari yatiye, ntitwahera gushika yujuje ivyo yari yatiye vyose. Muri ico gihe iyaba hariho ingunguru, nazo nyene Imana ishobora kuba yari kuzuzuza. Uwo mupfakazi aca ashora ayo mavuta, ariha rya deni maze aca acungura babahungu biwe babiri bashaka kumunyaga.



7

Uwundi mugore n'umugabo wiwe bari barateguye icumba munzu yabo kugira ngo Elisa azohore ahashikira mungendo ziwe. Muri ico cumba harimwo igitanda, imeza, intebe, n'igiterekwako amatara. Ico cumba cari categuriwe elisa gusa.




8

Elisa yama yibaza ico yokora kugira ngo ashimire uwo muryango. Amenye ko atamwana bafise, aca abarira uwo mugore ikintu cari kigoye kwizera. “Mumwaka uza, mugihe nk’iki uzoba ukikiye umwana w’umuhungu.” Umwaka uheze, uwo mwana yari yamaze kuvuka.



9


Haheze imyaka mikeyi, uwo mwana nyene yarikumwe na se wiwe m’umurima. Uwo mwana aca atangura kurira avuga ati: “ndababara umutwe!” ndababara umutwe! Baca bamushira nyina wiwe, amushira kubibero, gushika nk’isaha zitandatu, aba arapfuye. Uwo muvyeyi aca ashira uwo mwana kugitanda muri ca cumba ca Elisa.



Mwibaza ko ari nde yashobora kumufasha?

10

Elisa? Ego cane, nta gukekeranya! Uwo mugore aca afata inyana y’indogoba yiwe ayijako yihuta kugira ngo aje kuraba elisa k’umusozi. Elisa aca agarukana nawe i muhira, yurira wenyene munzu y’igorofa hanyuma aca asenga Uhoraho. Imana igarukana ubuzima muri wa mwana. Elisa aca ahamagara wa mugore, aramubwira ati: “Akira umuhungu wawe!”



Mwibaza ko yanezerewe Umunezero ungana gute?

11

Mukarere k’isiriya, haba umugabisha w’ingabo yitwa Namani. Yari umunyamwete kandi afise inguvu nyishi, ariko yari agwaye indwara y’urukoba, yitwa imibembe.




12

Umugore wa namani yari afise umukobwa w’umugurano baguze muri Isirayeli. Uwo mukobwa yari akiri muto, ababwira ati: “Iyaba Namani yaba hafi y’umuvugishwa n’Imana aba i samariya, uwo muvugishwa n’Imana yomukiza iyo mibembe.”



13

Namani aca agenda yihuta kuraba uwo muvugishwa n’Imana. Ajana amafaranga, inzahabu n’imyambaro myiza ngo abimuhe nk’ingabire.




14

Umukozi wa Elisa arasohoka amubwira ati: “Genda woge incuro indwi muri yorodani, uca uhumanuka.” Namani aca arashavura cane. Mbega ntiyashobora kwoga mumazi meza kandi atekanye yo mugihugu ciwe i siriya? Ashavuye cane, aca arakata ngo yisubirire inyuma.








Ariko kuko yarikumwe n’abahanuzi biwe, baca baramuhanura kwumvira ico Elisa amusavye gukora. Namani aca aragaruka, aja mumazi y’uruzi yorodani incuro indwi. Maze Namani umunyamibembe aca arakira! Hanyuma aca ahimbaza Imana nya mana, Imana ya Elisa, Uhoraho, yamukijije imibembe.





Imana yabandanije ikoresha umukozi wayo Elisa n’aho yari yapfuye. Umusi umwe umuntu yari yapfuye bamuhamvye mumva aho bari bahamvye Elisa hari haheze igihe kirekire. Ico kiziga gikoze kumagufa y’umuvugishwa n’Imana Elisa, uwo muntu aca arazuka arahagarara. Imana yerekanye vy’ukuri ubushobozi bwayo bwishi ibicishije m’umukozi wayo ayubaha, Elisa.



Elisa, Umuntu Yakora Ibitangaza

Inkuru ivuye mw’Ijambo ry’Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

2 Abami 2-13

“Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge.” Zaburi 119:130



# Iherezo

25 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16